Ntimugatuke abapfuye; kuko mu vy'ukuri, bo baramaze kuja kwibonera ivyo bakoze

Mu vyakiriwe na Aisha (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Ntimugatuke abapfuye; kuko mu vy'ukuri, bo baramaze kuja kwibonera ivyo bakoze".

[صحيح] [رواه البخاري]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), aratomora ko kizira kikaziririzwa gutuka no gucokora abamaze gupfa, n'uko ico kiri mu ngeso mbi (zidakwiye kuranga abakiri bazima), kuko abapfuye baramaze gushikira ibikorwa bakoze, vyaba vyiza canke bibi, kanatsinda ibitutsi batukwa nta co bibicira, kiretse ko gusa bibangamira abakiri bazima.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/5364